# وجوب العمل بالسنة وكفر من أنكرها

# IYUBAHIRIZWA RY'ISHIRWA MU NGIRO MU KUGENDERA INYIGISHO, IMICO N'IMIGENZO VY'INTUMWA N'IGARARIZA RY'UWUBIHAKANYE

# IYUBAHIRIZWA RY'ISHIRWA MU NGIRO MU KUGENDERA INYIGISHO, IMICO N'IMIGENZO VY'INTUMWA N'IGARARIZA RY'UWUBIHAKANYE

## CANDITSWE NA:

Abdu l'Aziz Bin Abdallah Bin Baaz (nyakugira impuhwe z'Imana Allah)

kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

## INTANGAMARARA

Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose; iherezo ryiza, ni iry'abagamburukiramana, amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah, nibisasagare ku Muja wayo akaba n'Intumwa yayo, Umuvugishwamana wacu Muhamadi, yarungitswe kugira abere impuhwe ibiremwa (Amajini n'abantu); nibisasagare kandi ku muryango wiwe, ku ngendanyi ziwe zafashe nkama zigashikiriza abaje mu nyuma Igitabu c'Imana hamwe n'inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa nk'uko zabiragijwe, mu bukerebutsi, mu kuzigama insiguro n'amajambo nk'uko zavyumvise ku Ntumwa y'Imana (Imana Allah Izishimire), Yongere Idushire mu bazikurikiye mu neza, Itugire n'ivyabona ku bantu bose. Inyuma y'ivyo:

Ni ukuri, abamenyi b'aho hambere n'ab'ubu, barahurije ku kuba imishinge y'amategeko ngenderwako yisungwa mu kwemeza amabwirizwa no mu kumenya ibirekuwe n'ibizira, ari Igitabu c'Imana Allah Qor'ani kitigera kivogerwa n'ikinyoma iyo kizanana hose; hanyuma hagakurikira inyigisho, imico n'imigenzo (sunnah) vyakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Intumwa itigera ivuga yisunze ivyipfuzo vyayo ; ahubwo ivyo ivuga vyose yisunga Ihishurirwa yahishuriwe n'Imana Allah; mu nyuma hagakurikira ivyumvikanweko n'abamenyi babushitse mu bwislamu "Al-ijmaa'u". Ku bijanye n'iyindi mishinge y'amategeko ngenderwako yokwisungwa, abamenyi ntibayumvikanyeko; uwuhambaye muri yo akaba ari, ukugereranya "Al-qiyaas"; ariko rero abenshi mu bamenyi babushitse, baremeza ko "al-qiyaas", woba umushinge w'itegeko ngenderwako ryisungwa mu gihe woba ukwije ibisabwa. Ivyemezo vyemeza iyi mishinge y'amategeko ngenderwako , ni vyinshi kandi birazwi ku buryo ata worinda kubidondagura vyose.

## IMISHINGE Y'AMATEGEKO NGENDERWAKO Y'IDINI YISUNGWA MU KWEMEZA INGINGO

## ZEREKEYE AMABWIRIZWA (KUMENYA IBIREKUWE N'IBIZIRA)

## UMUSHINGE W'ITEGEKO NGENDERWAKO WA MBERE: IGITABU C'IMANA ALLAH, QOR'ANI

Umushinge w'itegeko ngenderwako wa mbere rero, ni Igitabu c'Imana Allah, Qor'ani. Ijambo ry'Imana Allah riremeza ahatari hake muri Qor'ani, ko ari ngombwa gukurikiza no kugendera amabwirizwa ari muri co no kutayarengako.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَهَذَا كِتَابٌ أَنْزَلْنَاهُ مُبَارَكٌ فَاتَّبِعُوهُ وَاتَّقُوا لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ﴾

﴾N'iyi Qor'ani rero, ni Igitabu gihezagiye Twamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Enda rero nimugikurikire mu kwubahiriza amabwirizwa yaco, muniyubare kuyarengako kugira mugire impuhwe z'Imana Allah﴿ (Al-An'aam: 155).

Irongera Ikavuga Iti:

﴿قَدْ جَاءَكُمْ رَسُولُنَا يُبَيِّنُ لَكُمْ كَثِيرًا مِمَّا كُنْتُمْ تُخْفُونَ مِنَ الْكِتَابِ وَيَعْفُو عَنْ كَثِيرٍ قَدْ جَاءَكُمْ مِنَ اللَّهِ نُورٌ وَكِتَابٌ مُبِينٌ يَهْدِي بِهِ اللَّهُ مَنِ اتَّبَعَ رِضْوَانَهُ سُبُلَ السَّلَامِ وَيُخْرِجُهُمْ مِنَ الظُّلُمَاتِ إِلَى النُّورِ بِإِذْنِهِ وَيَهْدِيهِمْ إِلَى صِرَاطٍ مُسْتَقِيمٍ﴾

﴾Emwe bahawe Igitabu! Ni ukuri Intumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yaramaze kubashikira, ibatomorera vyinshi mu vyo mwahora munyegeza abantu ngo ntibabimenye biri muri Tawurati n'Injili, iranirengagiza guserura vyinshi ata co vyishe. Ni

ukuri mwaramaze gushikirwa n'umuco uvuye ku Mana Allah, hamwe rero n'Igitabu gitomoye ca Qor'ani; hakoreshejwe ico Gitabu ca Qor'ani rero, Imana Allah Irongora abagenzwa no gushimwa na Yo mu nzira zibashikana kw'iteka n'itekane n'amahoro, ku burenganzira bwayo rero Igaheza Ikabakura mu muzimagiza w'ubugarariji, Ikabaganisha ku muco w'ukwemera, Ikanabashoboza gukurikira inzira igororotse y'ubwislamu﴾ (Al-Maa-da: 15-16).

Irongera kandi Iti:

﴿إِنَّ الَّذِينَ كَفَرُوا بِالذِّكْرِ لَمَّا جَاءَهُمْ وَإِنَّهُ لَكِتَابٌ عَزِيزٌ لَا يَأْتِيهِ الْبَاطِلُ مِنْ بَيْنِ يَدَيْهِ وَلَا مِنْ خَلْفِهِ تَنْزِيلٌ مِنْ حَكِيمٍ حَمِيدٍ﴾

﴿Mu vy'ukuri, abagararije iyi Qor'ani, bakayihakana bivuye inyuma igihe ibashikiriye, bazohanwa nya guhanwa. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, ni ukuri ni Igitabu gitagatifu gikingiwe guhindagurwa; ntivogerwa n'ikinyoma iyo coturuka hose, nta gikurwamwo, nta congerwamwo nta n'igihindurwa muri yo. Yamanuwe ivuye ku Mana Allah, Intungane mu vyo Ikora, Nyenugushimwa﴾ (Fusswilat: 41-42).

Yaravuze kandi Iti:

﴿وَأُوحِيَ إِلَيَّ هَذَا الْقُرْآنُ لِأُنْذِرَكُمْ بِهِ وَمَنْ بَلَغَ﴾

﴿Yaranampishuriye Qor'ani kugira ndabagabishe ntimuzohanwe, nongere ngabishe n'imigwi y'abantu izoshikirwa na Qor'ani uko izogenda ikurakuranwa kw'isi﴾ (Al-An'aam: 19).

Irongera Ikavuga kandi Iti:

﴿ هَذَا بَلَاغٌ لِلنَّاسِ وَلِيُنْذَرُوا بِهِ﴾

﴿Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani Twakumanuriye rero, ni ubutumwa bwibutsa abantu bose, bubagabisha ku bihano vy'Imana Allah﴾ (Ibraahiimu: 52).

Hari Aayah nyinshi rero zemeza ko Qor'ani ari ngombwa ko, amabwirizwa yayo akurikizwa akagenderwa ata kuyarengako; hakaba kandi hari n'inyigisho nyinshi z'intumwa, izo na zo zakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), zikerekana ko ari ngombwa gukurikiza no kugendera amabwirizwa ya Qor'ani, n'uko uwukurikije akagendera amabwirizwa yayo, aba ari mu burongozi nya burongozi; uwuretse kuyakurikiza no kuyagendera na we, aba ari mu buhuvyi bugaragara. Muri izo nyigisho z'intumwa rero, twovugamwo inyigisho y'intumwa yakiriwe igihe Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariko irigisha mw'ijambo ryayo yashikirije muri hija yo gusezera, aho yavuze iti:

( إِنِّي تارِكٌ فيكُمْ مَا لَنْ تضلوا إن اعْتَصَمْتُمْ بِهِ كِتَابَ اللهِ)

"Mu vy'ukuri, jewe ndabasigiye itegeko ngenderwako, nimwarifata nkama ntimuzogenda muhuvye inzira na rimwe, ni ukwubahiriza Igitabu c'Imana Allah, Qor'ani"

Yashikirijwe na Muslim mu gitabu ciwe "Swahiihi".

Muri ico gitabu "Swahiihi" nyene, Muslim yarashikirije inyigisho yakiriwe na Zaidi mwene Arqam (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah ) ko yavuze ati:

« إنّي تارك فِيكُمْ ثِقْلَين أَوَّلهُما كِتابُ الله فيهِ الهُدَى والنُّور فَخُذوا بِكتَابِ اللهِ وَتَمَسّكُوا بِهِ»

"Mu vy'ukuri, jewe ndabasigiye amategeko ngenderwako abiri aremereye, irya mbere, ni Igitabu c'Imana Allah, Qor'ani: harimwo uburongozi n'umuco, enda nyabuna rero nimucisunge mukigendere".

Aha rero, biraboneka ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahimirije nantaryo kwisunga no kugendera Qor'ani. Hanyuma aca avuga ati:

«وَأَهْلُ بَيْتي أذَكِّركُمُ الله في أهل بيتي أذكركم الله في أهل بيتي»

"Hamwe rero n'abanyamuryango banje, ndabibukije kuzokwama mwibuka Imana Allah mu kwubahiriza abanyamuryango banje, ndabibukije kuzokwama mwibuka Imana Allah mu kwubahiriza abanyamuryango banje".

Mu yindi nyigisho y'intumwa, mu kwerekana akamaro ka Qor'ani, yakorejeshe imvugo ivuga iti:

هو حبل الله من تمسك به كان على الهدى ومن تركه كان على الضلال.

"Igitabu c'Imana Qor'ani, ni co muzana w'Imana Allah; uwuwugumije aba ari mu burongozi, uwuretse kuwugumya na we, aba ari mu buhuvyi".

Inyigisho nyinshi z'intumwa zirerekana ko Qor'ani, ari yo mushinge w'itegeko ngenderwako rya mbere, amabwirizwa yayo ari ngombwa ko yubahirizwa ata kuyarengako. Kukaba nkako, ukwumvikana kw'ingendanyi z'imboneza mu bumenyi no mu kwemera, hamwe n'abazikurikiye mu nyuma, ku ngingo yuko ari ngombwa gukurikiza no kugendera amabwirizwa y'Igitabu c'Imana Allah, kuyisunga mu gutunganiriza abandi, n'uko uwo mushinge w'itegeko ngenderwako, wubahirizwa hambavu y'inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, ivyo birakwiye kutubera icemezo gihambaye cotuma tutarinda guhogora mu kudondagura ibindi vyemezo.

## UMUSHINGE W'ITEGEKO NGENDERWAKO WA KABIRI : Ivyakiriwe koko ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze bikemezwa n'ingendanyi zayo hamwe rero n'abazikurikiye mu baranzwe n'ubumenyi hamwe n'ukwemera

Nayo umushinge w'itegeko ngenderwako ugira kabiri mu mishinge y'amategeko ngenderwako atatu yemejwe n'abamenyi babushitse, ni inyigisho, imico n'imigenzo vyakiriwe koko ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Ico rero kiremezwa n'ingendanyi z'Intumwa

y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'abazikurikiye mu baranzwe n'ubumenyi hamwe n'ukwemera. Ku vyerekeye uwu mushinge w'itegeko ngenderwako ry'ubumenyi rigira kabiri rero, abamenyi baranditse ibitabu vyinshi, basigura ibijanye n'amategeko ngenderwako mu vyerekeye gusenga n'umubano mwiza mu bantu hamwe n'indangurakintu y'amajambo akoreshwa muri ubwo bumenyi. Baradondaguye ivyemezo vyinshi tutokwiririrwa turavuga. Muri ivyo, ni uko Qor'ani ibwiriza gukurikira no kwumvira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), iryo bwirizwa rikaba ari ku bari bahari igihe rihishurwa co kimwe no ku bakurikiye mu nyuma. Ivyo biri ukwo, kuko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarungitswe ku bantu bose, abantu na bo bakaba babwirizwa kuyikurikira no kuyumvira gushika ku musi w'imperuka; hamwe n'uko rero Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari yo ijejwe gusobanura no gutomora amabwirizwa y'ibiri muri Qor'ani, ikoresheje amajambo, imigirwa hamwe n'ukwemeza ibikorewe imbere yayo, hanyuma ntibibuze. Iyo rero hataba inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, abislamu ntibari kumenya igitigiri c'ivyunamo vy'isengesho n'ukuntu risengwa, ibitegetswe n'ibidategetswe, ntibari no kumenya amabwirizwa ajanye no

kwipfunga, ibizira n'ibirekuwe, ivyaha bihanwa hamwe n'ibihano bibitegekanirijwe. Aayah za Qor'ani rero, zitegeka ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) itegerezwa kwumvirwa, muri zo, ni Aayah iri muri Aali Imraan, aho Imana Allah Ivuga Iti:

﴿وَأَطِيعُوا اللَّهَ وَالرَّسُولَ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ﴾

﴿Maze mwumvire Imana Allah mu kutarya inyungu izira no mu kwubahiriza ayandi mabwirizwa, mwumvire n’Intumwa yayo kugira mugirirwe impuhwe n’Imana Allah﴾ (Aali Imraani: 132).

Ijambo ryayo riri mu gisomwa An-Nisaa-i, aho Ivuga Iti:

﴿يَاأَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا أَطِيعُوا اللَّهَ وَأَطِيعُوا الرَّسُولَ وَأُولِي الْأَمْرِ مِنْكُمْ فَإِنْ تَنَازَعْتُمْ فِي شَيْءٍ فَرُدُّوهُ إِلَى اللَّهِ وَالرَّسُولِ إِنْ كُنْتُمْ تُؤْمِنُونَ بِاللَّهِ وَالْيَوْمِ الْآخِرِ ذَلِكَ خَيْرٌ وَأَحْسَنُ تَأْوِيلًا﴾

﴿Emwe bemeye Imana Allah n’Intumwa yayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo! Nimwumvire Imana Allah ntimukagabitanye, mwumvire n’Intumwa yayo (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) mu vyo ibashikirije, muheze mwumvire n’indongozi muri mwebwe mu bidaciye kubiri n’amabwirizwa y’Imana Allah. Nimwahazana ku ngingo y’ikintu ico ari co cose, muraca mugaruka ku ngingo iri mu Gitabu c’Imana Allah n’inyigisho z’intumwa nimwaba mwemera vy’ukuri Imana Allah n’umusi w’iherezo. Ivyo, ni

vyo vyiza cane kuri mwebwe ha guhazana, ni na yo ngingo ibereye ha kwisunga ivyiyumviro vyanyu mu gufata ingingo﴾ (An-Niasaa-i: 59).

Imana Allah Yavuze kandi muri ico gisomwa nyene Iti:

﴿مَنْ يُطِعِ الرَّسُولَ فَقَدْ أَطَاعَ اللَّهَ وَمَنْ تَوَلَّى فَمَا أَرْسَلْنَاكَ عَلَيْهِمْ حَفِيظًا﴾

﴿Uwo wese yumviye Intumwa (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) agakurikiza n’inyigisho zayo, ni ukuri aba yumviye Imana Allah, yubahirije n’amabwirizwa yayo. Nayo uwirengagije kwumvira Imana Allah n’Intumwa yayo, namenye ko wewe Tutakurungitse kugenzura no kubungabunga ibikorwa vy’abirengagiza ngo ubibahanire﴾ (An-Niasaa-i: 80).

Vyoshoboka gute rero, kuyumvira no kugaruka ku ngingo y'Igitabu c'Imana Allah hamwe no ku nyigisho, imico n'imigenzo vyayo mu gutunganiriza abantu, mu gihe izo nyigisho, imico n'imigenzo vyayo vyoba bitisungwa, canke bikaba bitabungabunzwe, kuko bitagenze ukwo, Imana Allah Yoba Yasavye abantu kwisunga ingingo y'ikitigera kibaho; ico na co kikaba ari ikinyoma gishingiye kw'igarariza n'ukwiyumvira nabi Imana Allah.

Imana Allah Yavuze mu gisomwa An-Nahl Iti:

﴿وَأَنْزَلْنَا إِلَيْكَ الذِّكْرَ لِتُبَيِّنَ لِلنَّاسِ مَا نُزِّلَ إِلَيْهِمْ وَلَعَلَّهُمْ يَتَفَكَّرُونَ﴾

﴿Intumwa z’aho hambere rero, Twazirungikana ivyemezo bitomoye hamwe n’Ibitabu. Ntumwa

y’Imana! Na we nyene, Twakumanuriye Qor’ani kugira utomorere abantu amabwirizwa y’ivyo bahishuriwe, kugira ngo biyumvire baheze batahure nya mabwirizwa banayubahirize﴿ (An-Nahl: 44).

Irongera Ikavuga muri ico gisomwa nyene Iti:

﴿وَمَا أَنْزَلْنَا عَلَيْكَ الْكِتَابَ إِلَّا لِتُبَيِّنَ لَهُمُ الَّذِي اخْتَلَفُوا فِيهِ وَهُدًى وَرَحْمَةً لِقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ﴾

﴾Ntumwa y’Imana! Ntitwakumanuriye Igitabu ca Qor’ani atari ukugira ngo utomorere abantu ivyo bahazanako mw’idini n'amabwirizwa yayo, gutyo Qor’ani iheze ibere uburongozi n’impuhwe abemeramana vy’ukuri﴿ (An-Nahl: 64).

Ntivyoshoboka rero kuba Imana Allah Yashinze Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) gutomorera abantu ivyo yahishuriwe, mu gihe inyigisho, imico n'imigenzo vyayo vyoba bidategerezwa kwisungwa, canke bitigera bibaho.

Imana Allah Irongera Ikavuga ibisa n'ivyo mu gisomwa An-Nuur Iti:

﴿قُلْ أَطِيعُوا اللَّهَ وَأَطِيعُوا الرَّسُولَ فَإِنْ تَوَلَّوْا فَإِنَّمَا عَلَيْهِ مَا حُمِّلَ وَعَلَيْكُمْ مَا حُمِّلْتُمْ وَإِنْ تُطِيعُوهُ تَهْتَدُوا وَمَا عَلَى الرَّسُولِ إِلَّا الْبَلَاغُ الْمُبِينُ﴾

﴾Ntumwa y’Imana! Bwira abantu bose uti: “Nimwumvire Imana Allah mwongere mwumvire n’Intumwa”. Bantu! Nimwagenza umugongo mukirengagiza ukuri, ni ukuri burya Intumwa ijejwe gusa gushikiriza ubutumwa, na mwe

mugasabwa gushira mu ngiro ivyo mutegetswe. Nimwumvira iyo Ntumwa rero, muzotumbera inzira y'ukuri, burya nta kindi Intumwa ijejwe na canecane atari ugushikiriza ubutumwa butomoye﴿ (An-Nuur: 54).

Irongera Ikavuga muri ico gisomwa nyene Iti:

﴿وَأَقِيمُوا الصَّلَاةَ وَآتُوا الزَّكَاةَ وَأَطِيعُوا الرَّسُولَ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ﴾

﴾Bemeramana! Nimutsimbataze amasengesho akwije ibisabwa, mutange n'ishikanwa-bwirizwa, muheze mwumvire n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kugira muronke impuhwe z'Imana Allah﴿ (An-Nuur: 56).

Ikavuga no mu gisomwa Al-A'raaf Iti:

﴿قُلْ يَا أَيُّهَا النَّاسُ إِنِّي رَسُولُ اللَّهِ إِلَيْكُمْ جَمِيعًا الَّذِي لَهُ مُلْكُ السَّمَاوَاتِ وَالْأَرْضِ لَا إِلَهَ إِلَّا هُوَ يُحْيِي وَيُمِيتُ فَآمِنُوا بِاللَّهِ وَرَسُولِهِ النَّبِيِّ الْأُمِّيِّ الَّذِي يُؤْمِنُ بِاللَّهِ وَكَلِمَاتِهِ وَاتَّبِعُوهُ لَعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ﴾

﴾Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Jewe mu vy'ukuri, ndi Intumwa y'Imana Allah kuri mwebwe mwese, ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, ni Yo Itanga ubuzima Ikanabwaka, Ikazozura n'abapfuye. Kubera ivyo rero, nimwemere Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa yayo, Umuvugishwamana atigeze yiga kwandika no gusoma, yemera Imana Imwe Rudende Allah, akemera n'amajambo yayo Yamumanuriye n'ayo Yamanuriye Abavugishwamana bo hambere yiwe,

kandi mumukurikire mwubahirize n’amabwirizwa yiwe kugira mube abagororotsi”﴾ (Al-A'raaf: 158).

Izi Aayah zose rero, ziremeza neza ko mu vy'ukuri uburongozi n'impuhwe biri mu gukurikira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivyo na vyo bikaba bitoshoboka mu gihe umuntu atogendera inyigisho, imico n'imigenzo vyayo, canke akavuga ko bidakwiye kwemerwa canke kwisungwa.

Imana Allah Yavuze mu gisomwa An-Nuur Iti:

﴿فَلْيَحْذَرِ الَّذِينَ يُخَالِفُونَ عَنْ أَمْرِهِ أَنْ تُصِيبَهُمْ فِتْنَةٌ أَوْ يُصِيبَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ﴾

﴾Abaca kubiri n’amabwirizwa y’Intumwa y’Imana baragabishwa ko boshikirwa n’igeragezwa kw’isi, canke bagashikirwa n’ibihano bibabaza mu buzima bw’inyuma yo gupfa﴿ (An-Nuur: 63).

Yarongeye Ivuga mu gisomwa Al-Hashr Iti:

﴿وَمَا آتَاكُمُ الرَّسُولُ فَخُذُوهُ وَمَا نَهَاكُمْ عَنْهُ فَانْتَهُوا﴾

﴾Ni ukwo rero, ico Intumwa y'Imana ibashikirije canke ibigishije, muracakira uko ikibashikirije; ico ibabujije kwakira canke gukora na co, murakireka﴿ (Al-Hashri: 7).

Muri Qor'ani, harimwo Aayah nyinshi, kandi zose zemeza ko ari ngombwa kwumvira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) no gukurikira inyigisho, imico n'imigenzo vyayo, nka kurya nyene twamaze kubona ivyemezo vyerekana ko ari ngombwa gukurikira Igitabu c'Imana Allah Qor'ani, kukigendera hamwe no

kwubahiriza amabwirizwa yaco. Vyompi rero uko ari bibiri (Qor'ani n'inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa), birabangabanganye. Uwuhakanye kimwe muri vyo rero, aba ahakanye ikindi; iryo hakana na ryo rikaba ari igarariza n'ubuhuvyi bituma uwubikoze ava mw'idini nk'uko vyemejwe n'abarangwa n'ubumenyi n'ukwemera.

Harakiriwe n'inyigisho z'intumwa zivyemeza. Muri zo twovuga izi zikurikira:

Ni ukuri, harakiriwe inyigisho z'intumwa ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) zerekana ko ari ngombwa kuyumvira no gukurikira inyigisho, imico n'imigenzo vyayo, n'uko kizira kikazirirㄧizwa kuyigabitaniriza. Iyo ngingo yerekeye ababayeho igihe cayo, co kimwe n'abaje mu nyuma zayo gushika ku musi w'iherezo. Muri izo nyigisho rero, hari iyashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim, ikaba yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

«مَنْ أَطَاعَنِي فَقد أَطَاعَ الله ومَن عَصَانِي فقد عَصَى الله»

"Uwo wese anyumviye, aba yumviye Imana Allah; uwungabitaniye na we, aba agabitaniye Imana Allah".

Mu gitabu Swahiihi l-Bukhaariy, Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho

y'intumwa ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

«كلّ أمَّتي يَدخُلونَ الجنةَ إلا مَن أَبَى قِيلَ يا رسولَ اللهِ ومَن يَأبَى قَالَ مَن أَطَاعَني دَخَلَ الجنة ومَن عَصَاني فَقد أَبَى»

"Abantu narungitsweko bose bazokwinjira mu Bwami bw'ijuru kiretse uwanse kubwinjira". Aca abazwa ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ni nde yokwanka kubwinjiramwo!?". Aca abishura ati: "Uwuzonyumvira azokwinjira mu Bwami bw'ijuru; uwuzogabitanya mu kutanyumvira na we, ni ukuri azoba yanse kubwinjiramwo".

Hari n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Ahmadi, Abu Dawudi na Al-Haakim mu buryo bwemewe, yakiriwe na Al-Miqdaamu mwene Ma'di Karibi ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze iti:

«أَلا إِني أوتِيتُ الكِتابَ ومِثْلَه مَعَهُ أَلا يُوشِكُ رَجلٌ شَبْعانُ على أريكَتِهِ يَقولُ عَليكمْ بِهذا القُرآنِ فَما وَجَدْتُمْ فيهِ مِن حَلال فأَحِلُّوهُ وَمَا وَجَدْتُم فيهِ مِن حَرامٍ فَحَرِّمُوهُ»

"Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, jewe nahawe Igitabu ca Qor'ani, hiyongeyeko n'izindi nyigisho nkayo. Bantu, nimwumve mwumvireho! Vuba bwango ntibukuka, uzobona umugabo atumbiwe, yiyicariye ku nyegamo yiwe, yinamure n'agahimbo n'akantu ababwire ati: "Nimukurikire gusa ibiri muri iyi Qor'ani; ico musanzemwo kirekuwe, murakirekurira abantu

kugikora, ico musanzemwo kizira na co, murakizirikiriza"".

Abu Dawudi na Ibnu Maajah bashikirije inyigisho y'intumwa mu buryo bwemewe, yakiriwe na Ibnu Abii Raafi'i kuri se, se na we akaba yayakiriye ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze ati:

«لا أَلْفِيَنَّ أَحَدَكُم مُتَّكِئًا عَلى أَرِيكَتِهِ يَأْتِيهِ الأَمْرُ مِن أَمْرِي مَمّا أَمَرْتُ بِهِ أو نَهَيْتُ عَنْهُ فَيقولُ لا ندْري، ما وَجَدْنا في كِتابِ اللهِ اتَّبَعْنَاه»

"Sinkabone umwe muri mwebwe yiyicariye ku nyegamo yiwe, maze yashikirwa n'ibwirizwa mu mabwirizwa nabwirije ku bitegerezwa canke ku bibujujwe gukorwa, hanyuma akanagare yigovyore mu kutavyubahiriza avuga ati: "Ayo mabwirizwa nta yo tuzi namba; ivyo dusanze mu Gitabu c'Imana Allah, Qor'ani, ni vyo gusa duheza tukubahiriza"".

Vyarakiriwe na Al-Hasan mwene Jaabiri ko yumvise Al-Miqdaamu mwene Ma'di Karibi (Imana Allah Imwishimire) avuga ko:

حَرّمَ رَسولُ الله -صلى الله عليه وسلم- يومَ خَيْبَر أَشْياءَ ثم قَالَ « يُوشِكُ أَحَدُكُم أَن يُكذِّبَنِي وَهو مُتَّكِئٌ يُحَدّث بحدِيثي فَيقولُ بَيْنَنا وَبَيْنكُم كِتابُ اللهِ فما وَجَدْنَا فِيهِ من حَلالٍ اسْتَحْلَلْنَاهُ وَمَا وَجَدْنا فيه من حَرام حَرّمْنَاهُ أَلا إِنَّ مَا حَرّمَ رسُولُ اللهِ مِثْلُ مَا حَرّمَ الله»

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaraziririje ku musi w'urugamba rwa Khaybari ibintu, hanyuma ica ivuga iti: "Vuba bwango ntibukuka, umwe muri mwebwe azombeshuza yiyicariye ku nyegemo yiwe ariko

arigisha inyigisho zanje, maze amvuguruze avuge ati: "Itegeko twisunga twebwe hamwe na mwe, ni iriri mu Gitabu c'Imana Allah; ico dusanzemwo kirekuwe, tuzocigisha ko kirekuwe; nayo ico dusanzemwo kizira na co, tuzokiziririza". Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, ivyaziririjwe n'Intumwa y'Imana, ni nk'ivyaziririjwe n'Imana Allah (nta ho bitandukanira)".

Yashikirijwe na Al-Haakim, Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah mu buryo bwemewe.

Ni ukuri, hari inyigisho z'intumwa zakiriwe vy'ukuri ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yahora nantaryo, iraga mu nyigisho zayo ingendanyi zayo, ko uwumvise nya nyigisho, yozishikiriza uwutazumvise, maze igasozera ivuga iti:

«ربّ مبلغ أوعى من سامع»

"Kumbure hari n'aho uwushikirijwe inyigisho yatanzwe atari ho ari , yoyitahura maze akayizigama kurusha uwayiyumviye n'amatwi yiwe".

Muri izo nyigisho rero, ni nk'iziri mu bitabu vya Al-Bukhaariy na Muslim, ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igihe yari mw'ishengerera ry'ingoro ntagatifu ryo gusezera ku musi wa Arafa no ku musi w'ukubaga, yigishije abantu ati:

«فليبلغ الشاهد الغائب فرب من يبلغه أوعى له ممن سمعه»

"Nyabuna nyabuna, uwuri ng'aha anyumvise, arashikiriza izi nyigisho uwutashoboye kuba ari ng'aha ngo aziyumvire; kumbure hari n'aho uwo azishikirijwe atari ho yari ari igihe zishikirizwa , yotahura maze akazizigama kurusha uwaziyumviye n'amatwi yiwe".

Iyo rero inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, bitaba ari itegeko ngenderwako ryubahirizwa n'uwavyiyumviye n'amatwi yiwe co kimwe n'uwabishikirijwe, iyo bitaza kuba bizokwubahirizwa gushika ku musi w'iherezo, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ntabwo yari kubwiriza ingendanyi zayo ko zibishikiriza abatavyumvise n'amatwi yabo. Ivyo rero, vyerekana ko kwisunga inyigisho,imico n'imigenzo vy'intumwa, ari ngombwa ku wavyumvise akavyakira ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) co kimwe n'uwabishikirijwe mu buryo bwemewe.

Ingendanyi z'intumwa rero, zarazigamye inyigisho,imico n'imigenzo vy'intumwa, zaba ari inyigisho zishingiye ku majambo canke ku migirwa; ziraheza kandi zizishikiriza abakurikiye mu nyuma zazo, aba na bo bazishikiriza abandi bakurikiye hanyuma, bibandanya gutyogutyo maze abamenyi babushitse na bo, barazihererekanya urunganwe ku rundi, n'ikinjana ku kindi, baraheza

baranazegeranya mu bitabu banditse, barerekana izakiriwe koko mu buryo bwemewe n'izakiriwe mu buryo burimwo agahaze, baranashizeho n'amategeko ngenderwako yokwisungwa mu gutandukanya inyigisho zemewe n'izitemewe. Izo nyigisho rero ziri muri ivyo bitabu, zarahererekanwe n'abamenyi ziranabungwabungwa neza, nka kurya Imana Allah Yabungabunze Igitabu cayo Qor'ani ngo ntihagire abakiyubirako mu kugihindagura, ivyo bikemezwa n'ijambo ry'ukuri ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

﴿إِنَّا نَحْنُ نَزَّلْنَا الذِّكْرَ وَإِنَّا لَهُ لَحَافِظُونَ﴾

﴿Mu vy'ukuri ni Twebwe Allah, Twahishuriye Qor'ani Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi ni Twebwe nyene Twishinze kuyibungabunga; nta kizokwongerwamwo nta n'ikizokurwamwo, eka ntizogenda amazimayongo﴾ (Al-Hijr: 9).

Nta makenga rero ko inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, biri mu vyahishuwe n'Imana Allah, kukaba nkako rero Imana Allah Yarabibungabunze nka kurya Yabungabunze Igitabu cayo Qor'ani, Iraheza Ibigenera abamenyi babushitse baguma babitosora ngo ntihagire abononyi babihindagura, canke babisigura ukutariko; kuko Imana Allah Yabigize kuba ari vyo bisigura Igitabu cayo mu gutomora amabwirizwa yaco, bikanashinga izindi ngingo z'ibintu bitadomweko urutoki muri co;

nk'ingingo zijanye n'ukwonswa, kugabura bimwe mu bisigi, kuziririza kwabira umugore hamwe na nyokorome, canke hamwe na nyinabo , n'izindi mu ngingo zashinzwe z'ibintu

bitigeze bivugwa muri Qor'ani. Hari n'inyigisho zakiriwe ku ngendanyi z'intumwa, ku bakurikiye mu nyuma zazo no ku bakurikiye mu bamenyi babushitse, zerekana ko ari ngombwa kwubaha no kugendera inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa.

Mu bitabu Swahiihi Al-Bukhaariy na Swahiihi Muslim, harimwo inyigisho yashikirijwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) aho avuga ko

لما توفي رسول الله -صلى الله عليه وسلم- وارتد من ارتد من العرب قال أبو بكر الصديق -رضي الله عنه- والله لأقاتلن من فرق بين الصلاة والزكاة، فقال له عمر -رضي الله عنه-: «كيف تقاتلهم وقد قال النبي -صلى الله عليه وسلم-:» « أمِرْتُ أَنْ أقَاتِلَ النَّاسَ حَتى يَقُولُوا لا إِلهَ إِلا الله فَإِذا قَالوها عَصَمُوا مِني دِمَاءَهُم وَأَموَالَهُم إِلا بحقَّها» فقال أبو بكر الصديق: أليست الزكاة من حقها والله لو منعوني عناقًا كانوا يؤدونها إلى رسول الله -صلى الله عليه وسلم- لقاتلتهم على منعها. فقال عمر -رضي الله عنه-: فما هو إلا أن عرفت أن الله قد شرح صدر أبي بكر للقتال فعرفت أنه الحق،

Igihe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yapfa, abiyonkora mu bwislamu mu Barabu bakiyonkora mu kubuvamwo , Abu Bakari (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah, ko ntegerezwa guhangana mu kurwanya nshimitse, abatandukanya hagati y'isengesho n'ishikanwa-bwirizwa". Omari (Imana Allah Imwishimire) aca

avuga ati: "Ni gute wohangana na bo ukabarwanya, kandi mu vy'ukuri Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze ati: "Nategetswe guhangana n'abantu mu kubarwanya gushika bavuge bemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah; nibamara kuvuga iryo jambo rero, bazoba bikingiye bo hamwe n'amatungo yabo ko noyavogera kiretse ku kwubahiriza agateka kavyo". Abu Bakari aca avuga ati: "None ishikanwa-bwirizwa, si agateka kavyo gategerezwa kwubahirizwa! Ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah ko mu gihe boramuka banse kumpa ingamiya imwe gusa bahora baha Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nohangana na bo mu kubarwanya ku kuyinyima". Omari (Imana Allah Imwishimire) aca avuga ati: "Sinatevye gutahura ko Imana Allah Yamaze gutururuza umushaha wa Abu Bakari ko ategerezwa guhangana na bo mu kubarwanya, nca ndatahura rero ko ari kwo kuri"".

Ni ukuri ingendanyi (Imana Allah Izishimire) zarakurikiye mu gushigikira Abu Bakari kuri iyo ngingo, ziraheza zirahangana mu kurwanya zishimitse abiyonkoye bakava mu bwislamu gushika n'aho babagarura mw'idini ry'ubwislamu; maze zirahangana mu kwica abanse kurigarukamwo bagatsimbatara mu bwiyonkore. Muri ivyo vyabaye rero, harimwo icemezo kigaragara c'uko ari ngombwa kwubaha no

kugendera inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa. Hari inakuru w'umuhisi yaje kwa Abu Bakari gusaba ko yomuha umugabane wiwe ku bisigi vy'umwuzukuru wiwe, aca aramwishura ati: Nta co mbona wagenewe mu Gitabu c'Imana Allah, nta n'ico nzi cakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yoba hari ico yakugeneye. Enda rero nyabuna, ntenyenyera mbanze mbaze abantu ko hari ico babiziko.

Mu nyuma rero, Abu Bakari (Imana Allah Imwishimire) yarabajije ingendanyi, maze zimwe muri zo ziremeza ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yigeze guha inakuru w'umuhisi ica gatandatu c'ibisigi, aca arubahiriza iyo ngingo. Omari (Imana Allah Imwishimire) na we yahora abwira abakoze ko botunganiriza abantu bisunze ingingo ziri muri Qor'an; mu gihe bataronse muri Qor'ani ingingo bisunga naho, ko bokwisunga inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa.

Igihe Omari (Imana Allah Imwishimire) yazazanirwa n'ingingo yerekeye inshumbusho yogenwa mu gihe hakorowe imbanyi ikuze n'ibigira nkana, yarabajije ingendanyi zari aho (Imana Allah Izishimire) ku ngingo yofatwa, maze Muhamadi mwene Maslama hamwe na Al-Mughiira mwene Shu'ba (Imana Allah Ibishimire), baca baremeza ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro

n'impuhwe z'Imana Allah) yigeze gufata ingingo yuko inshumbusho y'iyo mbanyi yakorowe n'ibigira nkana, ari ugutanga umugurano azimvye canke umuguranokazi . Maze Omari (Imana Allah Imwishimire) araheza yisunga iyo ngingo.[1]

Igihe Othmani (Imana Allah Imwishimire) azazanirwa n'ingingo yerekeye umupfakazi ko yokwaramira umugabo wiwe mu nzu yahora abamwo, hanyuma Furai'ah umukobwa wa Maaliki mwene Sinaani, akaba na mushiki wa Abu Sai'iidi (Imana Allah Imwishimire) akavuga ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamutegetse kwaramira umugabo wiwe mu nzu yari asanzwe abamwo gushika ikiringo c'ukwarama gihere, Othmani (Imana Allah Imwishimire) yaciye yisunga iyo ngingo nyene.

Ni nk'ukwo nyene rero Othmani (Imana Allah Imwishimire) yisunze inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa mu gufata ingingo yo guha Al-Waliidi mwene Uqbah igihano cerekeye ukunywa inzoga. N'igihe rero Ali (Imana Allah Imwishimire)

---

[1] * Inshumbusho itangwa ku gukorora imbanyi n'ibigira nkana, ni ugutanga umugurano azimvye canke umuguranokazi; canke igiciro yogurishwako kingana n'amadirhamu amajana atanu; bidashobotse naho, hatangwe inshumbusho ingana n'ica cumi c'inshumbusho yotangwa kuri nyina mu gihe yokwicwa; canke igice c'ica cumi c'ishumbusho yotangwa kuri se. Akarorero, ni nko mu gihe inshumbusho itangwa kuri se, yoba ingana n'ingamiya ijana, inshumbusho y'ugukorora imbanyi yoba ingana n'ingamiya zitanu (igice c'ica cumi).

yamenya ko Othmani (Imana Allah Imwishimire) abuza kuzirikana igendera ry'ingoro ntagatifu ukwaryo (umra) mu gihe co gushengerera ingoro ntagatifu (guhiji), hanyuma umuntu akazirikana ishengerera ukwaryo (guhiji) mu nyuma, mu vyo abamenyi bita "Tamattu'u", yarazirikanye igendera ukwaryo hanyuma azirikana ishengerera ukwaryo, maze aca avuga ati: "Sindota ndeka kugendera inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa kuko gusa hari umuntu avuga ko atabishima ".[1] N'igihe bamwe mu bantu bisunga ijambo rya Abu Bakari n'irya Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) mu kwerekana ko kuzirikana igendera ry'ingoro ntagatifu ukwaryo (umra), hanyuma umuntu akazirikana ishengerera ukwaryo (guhiji) mu nyuma, mu vyo abamenyi bita "Tamattu'u", ari vyo bibereye, mu gihe Ibnu Abbaasi (Imana Allah Imwishimire) we yabona ko ahubwo ivyiza ari ukuzirikana ishengerera ukwaryo (guhiji) ukaritunganya rigahera, mu nyuma rero ukazirikana igendera ry'ingoro ntagatifu ukwaryo (umra) mu vyo abamenyi bita "Ifraadu", Ibnu Abbaasi yababwiye ati:[2] "Vuba bwango ntibukuka,

---

[1] * Ukudahuza kuri iyo ngingo, gushingiye ku co umwe wese abona ko ari co kibireye gusumba ikindi.

[2] ** Ishengerera ry'ingoro ntagatifu "hijja" ritunganywa mu buryo bumwe muri butatu:

1. Ukuzirukana ishengerera ukwa ryonenye maze wariheza ukabona kuzirikana no gutunganya ingendera ukwa ryonyene, ubwo buryo bwitwa "ifraadu";

igihano c'amabuye avuye hejuru gihakwa kubashikira; ndababwira ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze, na mwe mukambwira ngo Abu Bakari na Omari bavuze!" Uwuciye kubiri n'inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa yisunze ijambo rya Abu Bakari n'irya Omari (Imana Allah Ibishimire), niyaba ahakwa kubihanirwa, vyogenda gute rero ku wundi aciye kubiri na vyo yisunze ijambo ry'uwundi muntu, canke yisunze gusa iciyumviro ciwe canke ico agerageje kwihitiramwo mu vyemezo! Igihe bamwe mu bantu bashaka guhaririza mwene Omari (Imana Allah Imwishimire) mu kutubahiriza bimwe mu bijanye n'inyigisho, imico be n'imigenzo vy'intumwa, yababwiye ati: "Mbega burya none, twebwe dutegekwa gukurikira Omari canke gukurikira inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa!".

Hari umuntu yigeze kubwira Amraani mwene Huswayni (Imana Allah Ibishimire we hamwe na se) ati: "Nyabuna twiganire ku vyemejwe n'Igitabu c'Imana Allah", akaba yariko abiganira ibijanye n'inyigisho, imico be n'imigenzo vy'intumwa, yarashavuye (Imana Allah Imwishimire) maze aca avuga ati: "Mu vy'ukuri, inyigisho, imico n'imigenzo

---

2. Ukuzirikanira rimwe ishengerera hamwe n'igendera ry'ingoro ntagatifu, ubwo buryo bwitwa "qiiraanu",
3. Ukuzirikana igendera ukwa ryonyene maze ukaritunganya , mu nyuma ukazirikana ishengerera ukwa ryonyene, ubwo buryo bwitwa "tamattu'u".

vy'intumwa, ni vyo bisobanura Igitabu c'Imana Allah; iyo rero hataba inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, ntitwari kumenya ko isengesho ryo ku musase ari ivyunamo bine, n'uko isengesho ryo ku kirengazuba ari ivyunamo bitatu, n'uko isengesho ryo mu mutwenzi ari ivyunamo bibiri, eka ntitwari no kumenya ido n'ido ry'ingingo zerekeye ishikanwa-bwirizwa, n'ibindi mu ngingo zasiguwe ido n'ido mu nyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa". Hari n'inyigisho nyinshi zakiriwe ku ngendanyi, zerekana ko ari ngombwa kwubaha no kugendera inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, zihaniza zikihanikiriza guca kubiri na vyo. Muri zo, ni uko Abdullaahi mwene Omari (Imana Allah Imwishimire we hamwe na se) igihe kimwe yariko ariganira abantu inyigisho y'intumwa ati:

﴿لا تَمْنَعُوا إِمَاءَ اللهِ مَسَاجِدَ اللهِ﴾.

"Ntimukabuze abajakazi b'Imana Allah kuja gusengera mu misigiti".

Maze umwe mu bana biwe aca amubwira ati: "Turarahiye kw'izina ry'Imana Allah ko dutegerezwa kubabuza kuja gusengerayo"; aca aramushavurira cane aranamutuka nya kumutuka, araheza avuga ati: "Mvuga nti: "Intumwa y'Imana yaravuze", na we ukambwira uti: "Turarahiye kw'izina ry'Imana Allah ko dutegerezwa kubabuza!"" Igihe kimwe Abdullaahi mwene Al-Mughaffal Al-Muzaniy (Imana Allah Imwishimire),

akaba yari umwe mu ngendanyi z'Intumwa, yabonye umwe mu muryango wiwe ariko aratera utubuye n'urukumu, aca aramubuza maze amubwira ko mu vy'ukuri, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabujije gutera utubuye n'urukumu, araheza avuga ati: "Uguteza urukumu utubuye,nta gihigwa vyica, nta n'umwansi vyogufasha kwivuna, ariko gusa birashobora guhongora iryinyo, bikamena ijisho". Mu nyuma aca abona wa muntu nyene ariko aratera utubuye n'urukumu, aca amubwira ati: "Ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah ko ntazokwongera kukuvugisha; ndakubwira ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabujije gutera utubuye n'urukumu hanyuma ukabisubira!".

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kuri Ayubu Al-Sakhit-yaaniy, ari mu bakurikiye ingendanyi "Taabi'iina" ko yavuze ati: "Niwiganira umuntu inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, hanyuma akavuga ati: "Reka kutwiganira ivyo, uheze utwiganire ku bijanye na Qor'ani!", uraca umenya ko yamaze guhuba". Al-Awzaa'iy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) na we yavuze ati: Inyigisho, imico n'imigenzo vy'intuma, ni vyo bitomora bigasobanura ibiri muri Qor'ani, canke bikadoma urutoki ku vyavuzwe muri rusangi, canke bigatomora ingingo zitatomowe mu Gitabu

c'Imana Allah; nk'uko tubisanga mw'ijambo ry'Imana Allah, aho Yavuze Iti:

﴿وَأَنْزَلْنَا إِلَيْكَ الذِّكْرَ لِتُبَيِّنَ لِلنَّاسِ مَا نُزِّلَ إِلَيْهِمْ وَلَعَلَّهُمْ يَتَفَكَّرُونَ﴾

﴿Intumwa z'aho hambere rero, Twazirungikana ivyemezo bitomoye hamwe n'Ibitabu. Ntumwa y'Imana! Na we nyene, Twakumanuriye Qor'ani kugira utomorere abantu amabwirizwa y'ivyo bahishuriwe, kugira ngo biyumvire baheze batahure nya mabwirizwa banayubahirize﴾ (An-Nahl: 44).

Twanavuze inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

«أَلا إِني أوتِيتُ الكِتابَ ومِثلَه مَعَهُ»

"Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, jewe nahawe igitabu ca Qor'ani, nongera mpabwa n'inyigisho biri kumwe nkayo".[1]

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kwa Aamiri mwene Al-Sha'biy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze abwira abantu bamwe ati: "Ni ukuri, mwahonye igihe mwareka kwubaha no kugendera inyigisho z'intumwa".

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kwa Al-Awzaa'iy (nyakugira impuhwe z'Imana

[1] * Bantu nimwumve mwumvireho, hazoteba hagere aho umugabo atumbiwe yiyicariye ku nyegamo yiwe, yinamura akavuga ati: "Nimukurikire gusa ibiri muri iyi Qor'ani; ico musanzemwo kirekuwe, murakirekurira abantu kugikora, ico musanzemwo kizira na co, murakiziririza".

Allah) ko yavuze abwira umwe mu bigishwa biwe ati: Niwashikirwa n'inyigisho yakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), uriyubara mu kuvuga iyindi nyigisho iciye kubiri na yo, kuko mu vy'ukuri Intumwa y'Imana yari ijejwe gushikiriza ubutumwa buvuye ku Mana Allah.

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kwa imamu Sufyaani mwene Sai'iidi Al-Thawriy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze ati: "Ni ukuri, burya ubumenyi bwose, ni ubushingiye ku bumenyi bw'inyigisho z'intumwa". Maaliki (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) na we yavuze ati: "Nta n'umwe muri twebwe, kiretse ko avuguruzwa mu vyo avuga ( yishura akishurwa mu kwanka ivyo avuga) , kiretse nyene iyi mva". Yaciye atunga urutoki ku mva y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Abu Haniifa (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) na we yavuze ati: "Iyo haje inyigisho yakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nca ndayishira ku mutwe nkayishinga ijisho, maze nkayakirana urweze".

Al-Shaafi'iy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) na we yavuze ati: "Igihe cose nzokwakira inyigisho ivuye ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma mukabona nisunze iyindi nyigisho itari yo, muraheza

mumbere icabona ko namaze kuba umukehabwenge".

Al-Shaafi'iy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yaranavuze kandi ati: "Ninavuga ijambo, hanyuma hakaza inyigisho yakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuguruza ivyo navuze, muraheza muterere hirya ijambo ryanje (maze muyikurikire)".

Al-Imamu Ahmad Ibnu Hambal (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) na we yabwiye umwe mu bigishwa biwe ati: "Ntukanyigane, vyongeye ntukigane Maaliki eka ntukigane na Shafi'iy, uraheza uronderere aho twarondereye".

Yaranavuze kandi (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ati: "Ndatangazwa n'abantu bamenye ko inyigisho y'intumwa yakiriwe koko ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ukuntu bagenda kwa Suf-yaani kandi Imana Allah Ivuga Iti:

﴿فَلْيَحْذَرِ الَّذِينَ يُخَالِفُونَ عَنْ أَمْرِهِ أَنْ تُصِيبَهُمْ فِتْنَةٌ أَوْ يُصِيبَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ﴾

﴿Abaca kubiri n’amabwirizwa y’Intumwa y’Imana baragabishwa ko boshikirwa n’igeragezwa kw’isi, canke bagashikirwa n’ibihano bibabaza mu buzima bw’inyuma yo gupfa﴾" (An-Nuur: 63). Yavuze ati: "Woba uzi ico ari co igeragezwa "fitna"? Igeragezwa nyabuna, ni ibangikanyamana, kumbure hari n'aho umuntu igihe yovuguruza imwe mu nyigisho z'intumwa (yosubiza inyuma

imwe mu nyigisho z'intumwa), vyotuma mu mutima wiwe hasigara ubuhuvyi maze agahona".

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kwa Mujaahidi mwene Jabri yakurikiye ingendanyi (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze mu gusobanura ijambo ry'Imana:

﴿فَإِنْ تَنَازَعْتُمْ فِي شَيْءٍ فَرُدُّوهُ إِلَى اللَّهِ وَالرَّسُولِ﴾

﴿Nimwahazana ku ngingo y'ikintu ico ari co cose, muraca mugaruka ku ngingo iri mu Gitabu c'Imana Allah n'inyigisho z'intumwa nimwaba mwemera vy'ukuri Imana Allah n'umusi w'iherezo﴾ (An-Nisaa-i: 59). Ati: "Ukugaruka ku ngingo y'Imana Allah, ni ukugaruka ku ngingo iri mu Gitabu cayo; nayo ukugaruka ku ngingo y'Intumwa, ni ukugaruka ku nyigisho, imico n'imigenzo vyayo".

Al-Bayhaqiy yarashikirije inyigisho yakiriwe kwa Al-Zuhriy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze ati: "Abatuboneye izuba mu bamenyi bacu, bahora bavuga bati: "Ukwishimikiza inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, ni ho harimwo agakiza ku bantu"". Muwaffiqu Al-Diini Ibnu Qudaamah (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze mu gitabu ciwe citwa Rawdwatu Al-Naadhwiri, ariko arasigura imishinge y'amategeko ngenderwako mu kwemeza amabwirizwa y'idini, ati: "N'umushinge w'itegeko ngenderwako ugira kabiri, ni inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa; ijambo ry'Intumwa (nyakugira amahoro

n'impuhwe z'Imana Allah) rero, ni icemezo cerekana ukuri mu vyo yavuga, ni n'ingingo y'Imana Allah ibwiriza ko Intumwa yayo yumvirwa, ikanihaniza ko hari uwohirahira ngo ace kubiri n'ibwirizwa ry'Intumwa yayo".

Ico yashatse kuvuga gihereye ng'aha.

Al-Haafidhu Ibnu Kathiiri (nyakugira impuhwe z'Imana Allah), yavuze mu gusigura ijambo ry'Imana Allah:

﴿فَلْيَحْذَرِ الَّذِينَ يُخَالِفُونَ عَنْ أَمْرِهِ أَنْ تُصِيبَهُمْ فِتْنَةٌ أَوْ يُصِيبَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ﴾

﴾Abaca kubiri n'amabwirizwa y'Intumwa y'Imana baragabishwa ko boshikirwa n'igeragezwa kw'isi, canke bagashikirwa n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa﴿ (An-Nuur: 63). Ati: "Uguca kubiri n'amabwirizwa y'Intumwa y'Imana, ni ukuvuga uguca kubiri n'inzira yayo, inyigisho, imico hamwe n'imigenzo vyayo, hamwe rero n'indinganizo y'ukuntu abantu bategerezwa kubaho, amajambo n'ibikorwa vyose rero vy'abantu, bishirwa ku munzani w'amajambo n'ibikorwa vyayo, maze igihuye na vyo kikemerwa; igihushanye na vyo na co, kikarekwa kigasubizwa ku wukivuze n'uwugikoze, uko aba ari kwose".

Muri Swahiihi l-Bukhaariy no muri Swahiihi Muslim no mu bindi bitabu, harimwo inyigisho yakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yavuze iti:

«مَنْ عَمِلَ عَمَلًا ليسَ عَليهِ أَمْرُنا فَهُوَ رَدٌّ»

"Uwuzokora ikintu yadukanye kitari mu vyo twigishije, ntikizokwemerwa, kizomugarukako"

Bisigura ko rero akwiye kwiyubara akirinda igeragezwa mu kwemera kwiwe, uwo wese aca kubiri n'amabwirizwa y'Intumwa y'Imana, yaba ayaboneka canke ayataboneka.

﴿أَنْ تُصِيبَهُمْ فِتْنَةٌ﴾.

﴾... ko boshikirwa n’igeragezwa (kw’isi)﴿.

Bisigura ko bashobora gushikirwa mu mitima yabo, n'igeragezwa ry'ubugarariji, canke uburyarya canke ukurangwa n'ivyadukano mw'idini.

﴿أَوْ يُصِيبَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ﴾.

﴾... canke bagashikirwa n’ibihano bibabaza mu buzima bw’inyuma yo gupfa﴿.

Bisigura ko bashobora no guhanwa kw'isi, mu kwicwa, guhanirwa ivyo bakoze, gushirwa mw'ibohero, n'ibindi. Imamu Ahmadi yarashikirije inyigisho y'intumwa, yayibwiwe na Abdu Ar-Razzaaq, uyu na we yayibwiwe na Mu'ammari, na we yayibwiwe na Humaamu mwene Munabbihi, yavuze ati: "Iyi, ni inyigisho twabwiwe na Abu Hurayra, yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

«مثَلي وَمثَلُكمْ كمَثَلِ رجلٍ اسْتَوْقَدَ نارًا فَلمّا أَضَاءَتْ مَا حَوْلَهَا جَعَلَ الفراشُ وهَذِهِ الدّوابُّ اللائِي يقَعْنَ في النَّار يَقَعْنَ فِيهّا وَجعَلَ يَحْجُزُهُنّ وَيَغْلِبْنَهُ فَيَقْتحِمْنَ فِيَها قَالَ فَذَلِك مَثَلي وَمَثَلَكمْ أَنا آخُذُ بحَجْزِكُم عَن النَّار هَلُمّ عَن النارِ فَتَغْلِبُوني وَتقْتَحِمُونَ فِيهَا»

"Akarorero kanje n'akarorero kanyu kuri jewe, ni nka kurya kw'umuntu yacanye igicaniro, kimaze kwaka kikaboneshereza ibiri hambavu yaco, utunyugunyugu hamwe n'utundi dukoko, tugatangura kwita muri nya gicaniro, wa muntu na we akaguma atwamama ngo atubuza kwita muri nya gicaniro, na two tukaguma tumwiyaka tukakigwamwo". Intumwa yavuze iti: "Ni nk'ukwo nyene rero akarorero kanje n'akarorero kanyu; jewe nguma namama ngo ntimugwe mu muriro nsemerera nti: "Enda nyabuna nimuze ntimugwe mu muriro", yamara mukananira mukaruhira kuwitamwo".

Abayishikirije bayibwiwe na Abdu Ar-Razzaaq.

Al-Suyuutwi (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yanditse mu gitabu ciwe citwa "Miftaahu l-jannati fi l-ihtijaaji bissunnati" avuga ati: "Nimumenye (ba nyakugira impuhwe z'Imana Allah), ko uwuhakanye inyigisho y'intumwa mu mvugo canke mu ngiro , iyo nyigisho yakiriwe vy'ukuri ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hubahirijwe ibisabwa , ko ari itegeko ngenderwako mw'idini, aba agararije, avuye mu ruhongore rw'ubwislamu, akazozuka ari kumwe n'abayahudi hamwe n'abanaswara, canke azuke ari kumwe n'umugwi w'abagarariji, kibure uwo Imana Allah Ishatse ko azukana na wo".

Ivyo yashatse gushikiriza bihereye ng'aho.

Inyigisho rero zakiriwe ku ngendanyi, ku bazikurikiye, no ku bakurikiye mu nyuma mu bamenyi babushitse, zerekana ko ari ngombwa kwubaha no kugendera inyigisho,imico n'imigenzo vy'intumwa; zirihaniza zikihanikiriza guca kubiri na vyo, ni na nyinshi cane; yamara ndizeye ko mu vyo twashikirije muri Aayah, mu nyigisho z'intumwa no mu vyakiriwe ku ngendanyi, harimwo ibikwiye gufasha uwukeneye kubona ukuri. Turasavye Imana Allah ko Yodushoboza, twebwe hamwe n'abislamu bose gukora ibiyishimisha, n'ukwigira kure y'ibiyishavuza, maze Iturongore twese mu nzira yayo igororotse. Mu vy'ukuri, ni Yo Yumva ibivugwa n'ibiremwa, Iri hafi cane mu kuvyumvira ibisabo vyavyo.

Harakagira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah, Umuja wayo akongera akaba n'Intumwa yayo, Umuvugishwamana wacu Muhamadi. Harakagira amahoro n'impuhwe kandi, umuryango wayo hamwe n'ababakurikiye mu neza kugera ku musi w'iherezo.

Abdu l'Aziz Bin Abdallah Bin Baaz (nyakugira impuhwe z'Imana Allah)

# Index

IYUBAHIRIZWA RY'ISHIRWA MU NGIRO MU KUGENDERA INYIGISHO, IMICO N'IMIGENZO VY'INTUMWA N'IGARARIZA RY'UWUBIHAKANYE .......... 2

CANDITSWE NA: .......... 2

INTANGAMARARA .......... 2

IMISHINGE Y'AMATEGEKO NGENDERWAKO Y'IDINI YISUNGWA MU KWEMEZA INGINGO ZEREKEYE AMABWIRIZWA (KUMENYA IBIREKUWE N'IBIZIRA) .......... 3

UMUSHINGE W'ITEGEKO NGENDERWAKO WA MBERE: IGITABU C'IMANA ALLAH, QOR'ANI .......... 4

UMUSHINGE W'ITEGEKO NGENDERWAKO WA KABIRI : Ivyakiriwe koko ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze bikemezwa n'ingendanyi zayo hamwe rero n'abazikurikiye mu baranzwe n'ubumenyi hamwe n'ukwemera .......... 8

rn50v1.0 - 03/09/2026